Kwishingira uturimbi

Kugira abagenzi mudasangiye igitsina si bibi. Ariko rero, hamwe wokwereka umwe muri bo utanabizi ko umwiyumvamwo cane kandi utiteguriye kuresha, vyotera ingorane. None wovyirinda gute?

Icogufasha ni ukwishingira uturimbi. Kugira ubishikeko, nuzirikane kuri ibi bintu vyabaye hanyuma uce wishura ibibazo bikurikira.



IKINTU CABAYE

“Yiyumviriye ko nahinduye ivyiyumviro”

Umusore yitwa Jason yari afise umugenzi w’umukobwa. Avuga ati: “Twari twaremeranije ko ata vyo gukundana birimwo ko ari ubugenzi busanzwe.” Ariko Jason yarabandanije kuza arandikira uwo mukobwa no kumarana umwanya na we. Yiyemera ati: “Iryo ryari ikosa. Yiyumviriye ko nahinduye ivyiyumviro, nkaba nariko ndamurondera.”

Naho bari baravuganye ubucuti bogiraniye, ni kubera iki uwo mukobwa yiyumviriye ko Jason yariko aramurondera?

_____

_____

_____

_____

Ni uturimbi utuhe Jason yari kwishingira kugira akingire ubugenzi bwabo *atarinze* gutuma yiyumvira ko ashaka ko bakundana?

_____

_____

_____

_____

“Iyo umukobwa atanguye kuza arashira kuri internet akamenyetso kerekana ko akunda amafoto yose nshirako, nca niyumvira ko ndamukwegera.” —Steven.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

IKINTU CABAYE

“Yambwiye ko namubabarije umutima”

Annette yaratanguye kuza arayaga n’umuhungu umwe kandi ariyemerera ko bayaga birenze. Avuga ati: “Nabona ko ari umugenzi gusa. Twaramarana umwanya munini, ariko sinigeze ndamwiyumvamwo kandi nibaza ko nawe ari ukwo nyene. Haciye igihe, yaransavye ko twokundana. Igihe namubwira ko namubona nk’umugenzi gusa yaciye ashavura. Yambwiye ko namubabarije umutima kandi ko nabikoze n’ibigirankana.”

Wibaza ko uwo muhungu yari afise imvo yumvikana yo kwiyumvira ko Annette yamwiyumvamwo? Kubera iki?

Ni uturimbi utuhe Annette yari kwishingira kugira yirinde iyo ngorane?

“Igihe urekeranye ikintu gica kibandanya ukwo nyene. Kwereka umuntu ko uriko uramurondera si vyo vyonyene bishobora gutanga ubutumwa butari bwo; no kwemera ko uwuriko arakurondera abandanya kubigira vyoshobora gutanga ubutumwa butari bwo.” —Karen.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

IKINTU CABAYE

“Twama turi kumwe turi babiri”

Rachel yiyumvira ko umuhungu umwe amukunda. Avuga ati: “Uwari we wese yarabona ko twama turi kumwe turi babiri. Mbere umusi umwe yaramaze umwanya anshize amaboko ku rutugu. Nibaza ko ankunda. Ariko igihe nabimubaza, yambwiye ko turi abagenzi gusa!”

Rachel yoba yari afise impamvu yo kwiyumvira ko uwo muhungu amukunda? Kubera iki?

Ni uturimbi utuhe uwo muhungu yari kwishingira kugira yirinde gutuma Rachel yiyumvira ko amukunda?

“Igihe hari uwo mudasangiye igitsina akwereka ko agukunda vyoshobora gutuma wumva uryohewe, kandi woshobora kwumva woreka bikabandanya. Ariko biraranga ubuhumure kwiyumvira abandi kugira ntuhave ugira uwo ubabaza.” —Brittany.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania